Ikinyamakuru
ca Ekleziya
Gatolika
Umwaka wa 70
Gisohoka kabiri mu
kwezi
Ikiguzi : 500FBu

Email:journalndongozi@gmail.com

Facebook :Journal ndongozi y'uburundi Rusiziramarembe; Twitter: Ndongozi y'Uburundi

# NDONGOZI Y'UBURUNDI

Adresse : Candikirwa, kigasohorerwa muri Ndongozi y'Uburundi.
Avenue de la mission n° 06

«Jewe ndi wa mwungere mwiza »
Jn 10, 11a

B.P 690 Bujumbura. Tél.: 222762. Fax : (257) 228907 N°801 15 Gitugutu 2023

# Amasezerano hagati ya Reta y'Uburundi na Vatikano agiye kuja mu ngiro



Soma ku Rup. 5

*Abakozi ba Ndongozi*

Uwujejwe uruganda:
* *A. Noël NTIRANDEKURA*

Abamenyeshamakuru:
* *A. Noël NTIRANDEKURA*
* *Mélance NDAYIKEZE*
* *MSV Marie Goreth NDIKUMANA*

Uwujejwe ubuhinga:
* *Chanel HARINGANJI*

Umunyamabanga:
* *MSV Marie Goreth NDIKUMANA*

Umunyabigega:
* *MSV Nadine HARAGIRIMANA*

Uwujejwe imigenderanire:
* *J. de Dieu NDIKUMANA*

# Ikibazo kibajijwe neza cishurwa neza



Soma ku Rup. 4

## Ibirimwo

o «N'imitima yuzuye urukundo, bafata urugendo».......................................3
o Ubuzima rukristu mu rugo rw'umupfakazi................................................6
o Inama nsangizangendo y'Abepisikopi igira 16: ......................................7
o Uburenganzira bw'umuntu bwo kwubahirizwa mw'ituganywa ry'ubuzima bwiwe...........................................................................................10

# Idominika ya mirongo ibiri n'icenda: Umwaka A

## Igisomwa ca mbere : *Izaya 45, 1. 4– 6*

**Imburi :**

*Mu gisomwa ca mbere, umuhanuzi Izaya atubwira ingene rimwe rimwe Imana ikoresha abapagani kugira irangure amasezerano y'urukiza yemereye igihugu cayo nk'uko yabigiriye Sirusi, umwami w'abapersi.*

Ivyo dusoma mu gitabu c'Umuhanuzi Izaya:

*(Ubukuru bwose buri mu minwe y'Imana)*

Ng'iri Ijambo Umukama yashikirije umwami Sirusi, yari yitoreye akamufata ukuboko kw'i buryo, ngo agende guhonya intara, anyage abami bo kw'isi, asambure amarembo y'ibisagara, inzugi ntizibe zicugarwa. « Naguhamagaye izinakubera umusavyi wanje Yakobo, kubera Israyeli nitoreye, ndagutera iteka naho utari unzi. Ni jewe Umukama kandi nta wundi, ntayindi Mana iriho atari jewe. Naho utari unzi, narakurungitse mu rugamba, kugira ngo kuva mu buseruko gushika mu burengero, bamenye ko vyose ari ubusa kiretse jewe. »

## Igisomwa ca kabiri : Abanyatesalonika :1, 1 – 5b

**Imburi :**

*Mu gisomwa ca kabiri, mw'ikete rya mbere yandikiye Abanyatesalonika, Paulo mweranda arakengurukira Imana kubera ukwemera, urukundo n'ukwizigira bari bafise. Dusabe Umukama atuvyuremwo agatima k'urukundo, ukwemera n'ukwizigira.*

Ivyo dusoma mw'ikete rya mbere Umutumwa Paulo yandikiye Abanyatesalonika:

*(Ntiduhengeshanya kwibuka ukwemera, urukundo n'ukwizigira mufise)*

Twebwe Paulo, Sivano na Timote, turandikiye Ekleziya y'Abanyatesalonika ishimikiye ku Mana Data no ku Mukama Yezu Kristu, tubipfurije inama n'amahoro. Twama dukengurukira Imana kubera mwebwe mwese uko mungana, uko tubibutse mu bisabisho vyacu: ntiduhengeshanya kwibuka, imbere y'Imana Dawe wa twese, umwete mufise mu kwemera, uburuhe bw'ibikorwa murinda kubera urukundo, ukudatirigana kwanyu mu kwizigira, ivyo vyose tukamenya ko bikomoka ku Mukama wacu Yezu Kristu. Erega,benewacu bakunzi b'Imana, turazi yuko muharurwa mu bo yitoreye. Inkuru nziza twabigishije ntiyagarukiye ku majambo gusa, ariko yarangukiye mu bukomezi, muri Mutima Mweranda no mu mwizero utagira amazinda n'intete.

## Inkuru nziza : *Matayo : 22, 15– 21*

**Alleluya, Alleluya.**

*- Murasayangangana nk'amatara kw'isi kuko mutwara ijambo ry'ubuzima.*

**Alleluya.**

**Imburi:**

*Mu Nkuru nziza, turumva ingene Abafarizayo bateze imitego Yezu ku vyerekeye ikori baha Sezari. Turumva kandi n'inyishu Yezu yabahaye: « Ni ivya Sezari.» Araheza ababwira ati : « Nimuhe rero Sezari ivya Sezari, ivy'Imana na vyo nimubihe Imana. »*

Ivyo dusoma mu Nkuru Nziza ya Yezu Kristu nkuko twayishikirijwe na Matayo:

*(Nimuhe Sezari ivya Sezari,ivy'Imana na vyo nimubihe Imana)*

Umunsi umwe, abafarizayo bagiye kuja inama y'ingene bofatira Yezu ku majambo yiwe. Niko rero kurungika abigishwa babo n'abantu ba Herodi ngo bamubaze bati : « Mwigisha, turazi neza ko uri imvugakuri kandi wigisha inzira ishikana ku Mana udacishije iruhande, kandi nturinda kuraba umuntu uw'ari we, abantu bose ubafata kumwe.

Tubwire rero ico wiyumvira kuri ibi : Ubwo ugiha ikori Sezari canke kurimwima, igishemeye ni ikihe?» Yezu na we yabona ububi bwabo, abishura ati: « Mwebwe ba berahino, ni kuki muntega imitego ? Nyereka ifaranga ritangwako ikori.» Baraheza bamuzanira idenariyo, na we ababaza ati : « Iyi shusho iriko ni iya nde ? Iki candiko na co ni icande » Bati : « Ni ivya Sezari.» Araheza ababwira ati : « Nimuhe rero Sezari ivya Sezari, ivy'Imana na vyo nimubihe Imana. »

# «N'imitima yuzuye urukundo, bafata urugendo»

Ijambo papa fransisko ashikirije abakristu bo kw'isi yose, ku musi mpuzamakungu wahariwe ubutumwa bwo gukwiza hose inkuru nziza ya Yezu kristu, ryo ku wa 22 Gitugutu 2023.

«**N'imitima yuzuye urukundo, bafata urugendo** » (Luka 24, 13-35)

Bavukanyi,
Kuri uyu munsi mpuzamakungu w'uno mwaka wahariwe kumenyesha Inkuru Nziza, nahisemwo iciyumviro cisunga ikigabane c'abigishwa b'i Emawusi, dusanga mu Nkuru Nziza ya Yezu Kristu nkuko yanditswe na Luka (Raba Luka 24, 13-35): «N'imitima yuzuye urukundo, bafata urugendo».

Abo bigishwa babiri bari bahungabanye kandi bihebuye, ariko uguhura na Yezu kwabo mw'Ijambo ry'Imana no mu kumanyura umukate kwabavyuyemwo igisharara co kubandanya urugendo basubira i Yeruzalemu kandi bamenyesha vy'ukuri ko Umukama yazutse.

Muri ico kigabane c'Inkuru Nziza, turabona uguhinduka kw'abo bigishwa biciye ku ngereranyo zimwe zimwe: imitima yuzuye urukundo kuko Yezu abasiguriye inyandiko nyeranda, amaso aruguruka maze baramumenya, hanyuma ikibiheta vyose baca bafata urugendo.

Mu kuzirikana kuri izo ntambwe zitatu zishushanya akarangamutima k'abigishwa-batumwa bituma dukabura muri twebwe umwete wo kumenyesha Inkuru Nziza muri iyi si ya none.

***1. Niho imitima yacu yari yuzuye urukundo « igihe yadusigurira ivyanditse ».***

Ijambo ry'Imana riramurikira kandi rikanagura umutima w'ubutumwa ku nzira iva i Yeruzalemu igana i Emawusi, imitima y'abo bigishwa babiri yari yijiriwe nk'uko mu maso habo havyerekana bitumwe n'urupfu rwa Yezu bari bashizemwo umwizero.

Kubera uko kubambwa kwa Yezu, umwizero bari bafise muri Mesiya waciye uyonga (Raba umurongo wa 21). Mu gihe bari « bakiganira kandi bongera baharira, Yezu We nyene ubwiwe arabegera ngo bafatanye akayira» (akarongo ka 15).

Nko mu ntango y'itorwa ry'abigishwa, n'ubu nyene mu gihe bari bataye umutwe, Umukama niwe ateye intambwe ya mbere mu kubegera no mu gufatanya urugendo nabo.

Ku bw'Ikigongwe ciwe ntangere, ntahengeshanya kugumana na twe, ataravye amagara make yacu, ugukekeranya kwacu, intege nke zacu, umwiheburo eka no gukekeranya bituma tuba abantu b"ibiburabwenge, bateba kwemera», b'ukwemera guke.

Uyu musi, nk'uko vyamye na kera, Umukama yazutse aguma hafi y'abigishwa-batumwa, kandi akagendana nabo, cane cane igihe bumvako bazimiye, bihebuye, batekewe n'ubwoba kubera ububisha bw'akayoberabahinga bubugarije kandi bugomba kubaniga.

Nico gituma « tutoreka ngo tunyagwe umwizero wacu» (Ikete Akanyamuneza k'Inkuru Nziza n. 86). Umukama ararengeye na kure ingorane zidushikira, cane cane igihe duhuye nazo mukumenyesha Inkuru Nziza kw'isi, kuko ubwo butumwa, imbere ya vyose, ari ubwiwe natwe tukaba abunganizibasuku, « abakoze ico bategerezwa » (Raba Luka 17, 10).

Mu bunywanyi mfitaniye na Kristu, ndemeje ko ndi kumwe n'abamisiyonari bo kw'isi yose, cane cane abariko baca mu bihe bigoye mu kugira nti: bagenzi nkunda, Umukama yazutse ari kumwe namwe imisi yose kandi arabona urukundo rwanyu n'utwigoro twanyu mu butumwa bwo kumenyesha Inkuru Nziza mu mihingo ya kure.

Imisi yose y'ubuzima si iy'agahimbare, ariko mwame mwibuka amajambo Umukama Yezu yabwiye abagenzi biwe imbere y'ukubabara ati: «Kw'isi muzobona amagorwa, yamara humura naratsinze isi » (Raba Yohani 16, 33).

Amaze gutega amatwi ba bigishwa babiri mu nzira igana i Emawusi, Yezu yazutse « ahera rero kuri Musa no ku Bahanuzi bose, ahetura ivyanditse vyose abasigurira ibimwerekeye» (Luka 24, 27).

Niho imitima yabo yuzura urweze bagaheza bakavugana bati: « Erega ni ho umutima wacu wari wuzuye urukundo aho twafatanya akayira adusigurira ivyanditse » (akarongo ka 32).

Ku kaba nkako Yezu ni we Jambo rizima rishobora ryonyene gukabura, kumurikira no guhindura umutima. Niho duca dutahura kuruta ijambo rya Yoronimu Mweranda aho agira ati: «Kutamenya ivyanditse niko kutamenya Kristu». «Atari Umukama atwinjije mu vyanditse, biragoye gutahura neza ivyanditse vyeranda. Eka mbere n'igihushane naco nyene ni co: ata vyanditse vyeranda, ivyarangutse mu butumwa bwa Yezu n'ibishikira Ekleziya yiwe mw'isi ntibiheza ngo bisobanuke» (Ikete Arabugururira ubwenge, n. 1).

Nico gituma kumenya ivyanditse bihambaye cane mu buzima bw'umukristu, cane cane mu kumenyesha Kristu n'Inkuru Nziza yiwe.

Mbega twomenyesha iki abandi atari ivyiyumviro vyiwe n'imigambi yiwe? Umutima ukonje wokwigera ushobora na rimwe gususurutsa umutima w'abandi?

Nitwemere duherekezwe imisi yose n'Umukama yazutse ni We adusigurira intumbero y'Ivyanditse. Nitureke asusurutse imitima yacu, atumurikire, aduhindure niho tuzoshobora kumenyesha isi ikinyegezwa c'urukiza rwiwe dufashijwe n'ubukomezi n'ubwitonzi bikomoka kuri Mutima wiwe.

***Biracaza***

*Vyahinduwe mu Kirundi n'"Ibiro Ndemeshabutumwa bw'"Ibikorwa vya Papa vyo kumenyesha Inkuru Nziza ya Yezu Kristu mu Burundi. (Œuvres Pontificales missionnaires /Burundi)*

# Ikibazo kibajijwe neza cishurwa neza

(Bitangurira ku rup.1

Ku munsi wa gatanu igenekerezo rya 8 Gitugutu 2023, abashikiranganji ba Reta y'Uburundi bararemesheje ikiganiro ku kibuga c'umupira w'amaguru – Stade Ingoma - co ku mugwa mukuru wa politike Gitega, aho bari baramutse bishura ku bibazo vy'abamenyeshamakuru n'abenegihugu.

Mw'ijambo ryiwe ry'intangamarara, Umushikiranganji wa mbere wa Reta y'Uburundi, Nyakubashwa Gervais Ndirakobuca yari yitavye ico kiganiro, yarashikirije abari ngaho n'abariko bakurikirana ico kiganira ku nsamirizi n'ibinyamakuru bikorera ku buhinga ngurukanabumenyi, ijambo ryo gushimira abenegihugu bitabiriye akamo k'Umukuru w'igihugu, bagashira isuka hasi, bakarima no mu gihe c'ici.

Ngo n'ikimenyamenya ni ibigori vyagumye bishorwa kw'isiko. Agasaba abarundi kudasamara, nyabuna babandanye ibikorwa kuko ngo «Uwuhana inzara arayirimira».

Yabatumiriye guca imikobeko ku mitumba, bagwanye inkukura isi ndimwa, bongere bayitereko ubwatsi bagaburira vya bitungwa bagaburirira mu nzu, gutyo umwimbu wiyongere, gutyop bazoba bariko baragwanya ubukene, gutyo babe bariko barashira mu ngiro ca civugo ca Nyenicubahiro Umukuru w'igihugu, ngo: « Umunwa wose ugire imfungurwa, umufuko wose ugire amafranga »

Umushikiranganji wa mbere yaranashimye ca-ne ingene igihugu cose cifashe, ingene gitekanye, agashima ingene abarundi bariko barakamisha ayo mahoro, mu kuguma ku kivi, umwumwe wese mu vyo ajejwe.

Mu gihe ikiganiro kibaye amashure yaraye yuguruye inzugi, Nyenicubahiro Umushikiranganji wa mbere yaratekereye impanuro abanyeshure, abasaba kwiga neza, birinde ico cose cobasamaza ariko bige kugira ngo baronke ubumenyi baze biteze imbere kandi baze bagirire akamaro igihugu cabibarutse, bavemwo abahinga batandukanye mu bisata bitandukane, bagirer a-kamaro aka karere.

Gutyo bibuke wa mugambi wa Nyenicubahiro, Umukuru w'igihugu, wa agira ati : «Dushaka uburundi ko kiba igihugu citunze mu mwaka w'2040, igihugu giteye imbere mu mwaka w'2060. » Uburundi bw'ejo ni mwebwe, buhe amaboko kuko nimwe buhanze amaso, mutangure gukora, mugire umwete guhera ubu».

Yabandanije asaba abavyeyi kubaha indero nziza, abigisha nabo bababere abarezi batanga ubumenyi n'impanuro za kivyeyi.

Yaribukije ko Reta irazwa ishinga no gutunganiriza bose, aca asaba abajejwe ubutungane ngo batunganirize bose, bikubite agashi, bareke kurya ibiturire, barangwe n'ubutungane bubangurukanya kandi butaraba nkunzi.

Igice ca kabiri caranzwe n'ibibazo vy'abamenyeshamakuru, aho babajije ibibazo nkoramutima vyerekeye ubuzima bw'igihugu, haba mu bu-tungane, nk'abaguma bafunzwe kandi imanza zabo zaraciwe ariko ntizishirwe mu ngiro, ukudugirizwa canke ukubohora amapeta ku bakozi ba Re-ta, abana n'abakuze bi-yerereza mu mabarabara, abakozi bakukurutse bataratunganirizwa ufatiye kw'itegeko ry'Umukuru w'igihugu, umwavu wa FOMI udakwije ibasabwa, n'ibindi.

Ku kibazo cerekeye ubutungane, aho abafunzwe baba barahejeje ikiringo bakatiwe ariko bakagumizwa mu munyororo, abagwarira mu munyororo ariko ntiboroherezwe mu kuja kwivuza hanze y'ibohero, ku baganga babishoboye, Umushikiranganji w'ubutungane Domina Banyankimbona yaratanze inyishu zibereye.

*Abanyororo bakatiwe urubanza ariko ntibarekurwe.*

Ubwa mbere ku baheza umunyororo ariko ntibarekurwe, Umushikiranganji Domina Banyankimbona atanga ibituma bitatu, ati:

- Iyo umushikirizamanza yasavye ko urubanza rusamburwa muri Sentare Ntahinyuzwa

- Iyo umushikirizamanza yugurunje urubanza akabona ko kurekura umunyororo vyotuma umutekano w'igihugu uhungabana

- Iyo umushikirizamanza yugurunje urubanza akabona ko kurekura umunyororo vyotuma umutekano wiwe uhungabana.

***Abanyororo bagwarira mu munyororo***

Ku kibazo c'abanyororo bagwara ariko ntibakundirwe kuja kwivuza, uyo mushikiranganji amenyesha ko atari umunyororo yitorera iyo aja kuvuzwa n'iyo aja gupfungirwa.

Umushikiranganji Domina Banyanki-mbona aributsa ko abanyororo bari mu bibanza barimwo kubera ivyaha bagirizwa. Uwo bikenewe ko aja kuvuzwa ahandi, abaforoma babakurikirana mu mabohero barabivuga.

***Patiri Noël Ntirandekura***

# Amasezerano hagati ya Reta y'Uburundi na Vatikano agiye kuja mu ngiro

*(Bitangurira ku rup.1*

Haraciye imyaka 11 habaye amasezerano hagati ya Ekleziya Katolika ifise icicaro i Vatikano hamwe na Reta y'Uburundi ku bijanye n'imigenderanire yoranga Ekleziya Katorika y'i Burundi na Reta y'Uburundi mu bisata bimwe bimwe Ekleziya Katorika na Reta y'Uburundi bahurirako ku neza rusangi.

Ayo masezerano yashizweko umukono na Musenyeri Franco COPOLA intumwa ya Papa mu Burundi hamwe na Laurent KAVAKURE umushikiranganji ajejwe imigenderanire y'Uburundi n'ayandi makungu. Hari ku 6 Munyonyo 2012.

Kuri uyu wa 3 Gitugutu 2023, niho hugururwa icese umurwi uhurikiwemwo na bose (Commission mixte) ujejwe kwiga amategeko y'ishirwa mu ngiro ryayo masezerano.

Ibikorwa vyari bihagarikiwe ku ruhande rwa Reta na Martin Niteretse umushikiranganji w'intwaro yo hagati mu gihugu hamwe na Musenyeri Bonavanture Nahimana arongoye inama nkuru y'abepiskopi Katorika b'Uburundi.

Mw'ijambo ry'uwo musi, umushikiranganji Martin Niteretse yarakengurukiye cane Ekleziya Katolika y'i Burundi ku bikorwa vyinshi vyiza ifasha Reta y'Uburundi. Aho ni nko mugushikigira ibikorwa vy'iterambere, mu gisata c'indero, amagara y'abantu, imibano n'ibindi.

Ku ruhande rwa Ekleziya Katolika, Musenyeri Bonavanture Nahimana amenyesha ko bihimbaye cane kubona imigenderanire hagati ya Ekleziya katolika na Reta y'Uburundi iguma iba myiza cane.

Kukaba nkako, ngo imigenderanire ya Ekleziya katolika na Reta y'Uburundi ni iya kera cane. Musenyeri ati: «Duherutse guhimbaza imyaka imyaka 60 y'ubuserukizi bwa Papa mu Burundi. Ku wa 15 Myandagaro 2023 naho, twahimbaje imyaka 125 iheze Ekleziya Katolika imaze ishitse mu Burundi.»

**Umurwi uhurikiwemwo na bose ugizwe n'abagabo b'ijunja n'ijambo**

Uwo murwi uhurikiwemwo n'intumwa za Reta hamwe n'intumwa za Ekleziya katorika y'Uburundi washizweho n'itegeko ry'umushikiranganji w'intwaro yo hagati mu gihugu rifise nimero 530/1178 ryo ku wa 13 Nyakanga 2023.

Ingingo ya mbere y'iryo tegeko ivuga ko hashizweho umurwi uhurikiwemwo na bose ujejwe kwandika ibihurijweko n'inama y'abepiskopi katolika b'i Buburundi hamwe na Reta y'Uburundi ku bintu bifise akamaro rusangi.

Ingingo ya kane ivuga ko uwo murwi utwarwa n'umukuru hamwe n'icegera ciwe. Abo babiri, uwa mbere ni Général de Brigade de Police Celestin Nibona-Bonansize umwunganizi w'umushikiranganji ajejwe intwaro yo hagati mu gihugu, iterambere ry'amakomine n'umutekano. Icegera ciwe ni Patiri Christian Nzinahora, Umunyamabanga mukuru w'Inama nkuru y'Abepiskopi katolika b'i Burundi.

Ingingo ya 5 ivuga ko uwo murwi uhurikiwemwo na bose ugabuwemwo imirwi mitomito 6 ihurikiwemwo na bose :

1. Umurwi mutoyi uhurikiwemwo na bose ku bijanye n'amashirahamwe y'abakristu katolika;
2. Umurwi mutoyi uhurikiwemwo na bose ku bijanye n'indero
3. Umurwi mutoyi uhurikiwemwo na bose ku bijanye n'amagara y'abantu no kuvura
4. Umurwi mutoyi uhurikiwemwo na bose ku bijanye no gutabarana n'iterambere
5. Umurwi mutoyi uhurikiwemwo na bose ku bijanye no gusubiza amatungo n'amatongo Ekleziya yatswe ku ntwaro zahigeze;
6. Umurwi mutoyi uhurikiwemwo na bose ku bijanye n'ubwibutsamana.

Kiretse umurwi mutoyi uhurikiwemwo na bose ku bijanye n'ubwibutsamana urimwo abantu 12, muri bo batanu bakaba ari abarungitswe na Ekleziya indwi nabo bakaba baserukira Reta, iyindi mirwi mitoyi yose igizwe n'abantu cumi cumi. Batanu ni intumwa za Reta, bandi batanu nabo bakaba intumwa za Ekleziya.

Vyongeye, mu ntumwa za Ekleziya Katolika, bose ni abasaserdoti kiretse umubikira umwe, Mama Mariya Thereza Hatungimana arongoye ibitaro vya Mivo ari mu murwi mutoyi uhurikiwemwo na bose ku bijanye n'amagara y'abantu no kuvura.

**Ubutumwa bwahawe iyo mirwi mitomito ihurikiwemwo na bose burakomeye cane**

Mw'ijambo ryiwe, Musenyeri Bonavanture Nahimana, yarashimitse cane ku bikorwa vy'iyo mirwi mitomito. Ati: «Ingingo ya 20 y'amasezerano hagati ya Vatikano na Reta y'Uburundi ivuga ko "amasezerano yiharije avugwa mu ngingo za 14, 15, 17, 18 na 19 azotegurwa n'imirwi ihurikiwemwo na bose ishizweho kubw'ico gi-korwa nyene"».

Uwo mwungere akongera ati: «Ni ngombwa rero kubabwira neza igikorwa umurwi mutoyi wose ujejwe kugira ngo abawugize bumve uburemere bw'igikorwa tubitezeko. »

*(Biracaza)*

***Mélance Ndayikeze***

# Ubuzima rukristu mu rugo rw'umupfakazi

***Ugupfakara ni ukuvuga iki?***



Ugupfakara ni ukubura uwo mwubakanye ahitanywe n'urupfu. Ni ikintu gishobora gushika umwanya n'umwanya cane cane ko tuzi neza ko umwanya n'umwanya ubuzima bwa muntu bushobora kurangira.

Ariko kandi ntawotwenga uwundi kuko uwubatse wese bishobora kumushikira ata ruhara abishizemwo.

Nk'uko haba ubwishingizi ku magara y'abantu (mutualité de la santé) hakaba n'ubwishingizi mu vy'impanuka (assurances), mu vy'urupfu nta bwishingizi (assurance) bubaho.

Iyo hageze, umuntu agenda ataco arinze kubaza na cane cane ko umuhinga Martin BUBER atwibu-tsa ko iyo umuntu avutse aba yeze kugira ngo ashobore no gupfa.

Imbere y'amategeko no mu kibano, uwabuze uwo bubakanye araheza akitwa « umupfakazi_ Umupfakare).

Papa Francisko muri rya Kete « Akanyamuneza k'urukundo », avuga ko ugupfakara ari kimwe mu bihe bigoye cane… (AL 254).

Ugupfakara bituruka ku rupfu rw'umwe mu bubakanye. Ni igihe kigoye cane kandi c'amaganya n'umubabaro.



Patiri Sadith KENEMANA

Niho uwitwa Guilbault na bagenzi be bandika bati : «Ku wusigaye, urupfu ni gatanya gaheza kagahindura cane, mbere rimwe na rimwe burundu uburyo yahora abaho. »

Ugupfakara kuzana vyinshi ariko kandi kukanahindura ibitari bike mu mibereho y'uwo asigaye, kuko baba basangiye vyinshi vy'ubuzima ariko akaba agiye kuba mu gahinda, yigunze, yihevye, yikekwa, bamwe bamwe bakababaho bateze amashi, bagaheza bakababaho bababaye, abandi bagafatwa nabi, bakabayozwa umwavu, abandi bakaza barabacokoza …

***1. Inyifato inyuma yo gupfakara.***

Ica mbere twomenya, ni uko uwapfakaye aca atangura ubuzima butoroshe. Ubwo buzima butangurirwa n'ikigandaro (le deuil) gishobora kugirwa mu buryo butandukanye bivanye n'aho umuntu ari canke imico n'akaranga k'aho abaye canke yavukiye.

*Ariko muri rusangi, hakunze kuba ibi bikurikira :*

- Ukugwa igihumura (choc)
- Ukwiyanka (le déni et la révolte)
- Ishavu (la colère)
- Uguhahamuka (la dépression)
- Ukwiyakira (la résignation),
- Ukwakira ivyabaye (l'acceptation)
- hamwe n'ukwiyubaka gushasha (la reconstruction.)

2. Imigirwa imwe imwe yo mu gihe co gupfakara Bagitangura kubika uwitavye Imana yari yubatse, uwusigaye aca atangura ubuzima bw'umupfakazi ubwo nyene.

Niho aho hambere haca hatangura imigirwa rimwe na rimwe idaha iteka umupfakazi.

Hari aho baca batangura gusuzuma ko ata ruhara uwo apfakaye afise mu rupfu rw'uwo bahora babana.

Mu mihingo imwe imwe yo muri Afrika, bamaze gushingura uwo yapfuye, uwapfakaye yategerezwa kwimosha umushatsi bagaharangura, agategerezwa kugenda ibirenge bisa, akambara impuzu yera, akaryama hasi, akicarikwa hasi, rimwe na rimwe ntibamugaburire, agakenyera umukanda mu mafyinga, akagira amasaha yo kwiyuha iryosozi (igitondo, umugoroba), agategekwa kwama yijiriwe, kwubika umutwe mu gihe atambuka, kutaja kure canke ngo agire ico ahereza iminwe, guhunga ubuririri bahora baryamako.

Hari n'ibihugu bimwe bimwe, inyuma y'ivyo vyose baheza bakamanukana uwapfakaye kumwuhagira ngo akire umwaku.

Ikigandaro gihera inyuma y'iminsi itari mike. Muri Afrika, hari aho kimara iminsi 40 canke mbere n'umwaka.

Aha iwacu bakunda gutanga amasuka inyuma y'iminsi 8.

***3. Ingorane zishikira abapfakaye***

**Biracaza**

***Patiri Sadith KENEMANA***
*arangurira ubutumwa mu gisata c'Inama y'Abepiskopi Gatorika b'i Burundi, gishinzwe Abalayike,Ingo n'imiryango hamwe n'ubuzima.*

# Inama nsangizangendo ya mbere, ihurikiyemwo Abepisikopi n'Abalayike

Kuva ku 4 gitugutu gushika ku wa 29 Gitugutu, i Vatikano, haratanguye ibikorwa vya mbere vy'Inama y'Abepisikopi igira iya 16.

Papa Fransisko aka yifuje ko yoba inama sangizangendo aho umwe wese atumiririrwa kumviriza uwundi bose hamwe bagatumiririrwa kumviriza Mutima Mweranda.

Iyo nama ikaba yitabwe n'abantu barenga 460 muri abo harimwo abashika 12 batumiwe bavuye mu yandi mashe-ngero.

Ekleziya y'Uburundi ikaba yaserukiwe na Nyenicubahiro Georges Bizimana Umwungere wa Diyoseze Ngozi ahagarariye Nyenubwera-nda muri Diyoseze ya Bubanza.

Nyenubweranda Papa Fransisiko niwe yuguruye ibikorwa vy'iyo nama mu nzu y'amanama yitiriwe Paul wa gatandatu.

***Iyo nama yoba yisangije iki?***

Imbere yuko itangura, abayitumiwemwo bamaze iminsi itatu mu mwiherero, basenga bongera bazirikana. Umuzirikano bawufashijwemwo n'umusaseredoti w'Abadominikano yitwa Timothy Radcliffe.

Ico ciyumviro Nyenubweranda yaciyumviriye yongera agishira mu ngiro ngo agaragaze akaranga iyo nama yisangije.

Nyenubweranda Papa Fransisiko mw'ijambo yashikirije mu kuyugurura, yamenyesheje abayitavye ko ari inama itandukanye rwose n'inama y'abashingamateka, kandi ko atari ihuriro y'abagenzi. Arongera akabamenyesha ko nimba hari abibaza ko baje kubera inyungu zabo canke ivyiyumviro vyabo ; ko bomenya ko ivyo bihushanye n'inama sangizangendo.

Abandanya avuga ati: «Uwurongoye iyi nama ni Mutima Mweranda wenyene, nti mumushavuze n'amajambo atagira akamaro hamwe n'urwamo.»

Yabahamagariye guha ikibanza Mutima Mweranda, igisabisho no kuzirikana bafashijwe n'inyandiko z'umweranda Bazile. Bakumvirizanya bongera bisonzesha amajambo atagira akamaro ava hanze.

Yarasavye abamenyesha makuru ko mukurangura neza umwuga wabo wo kumenyesha amakuru, bovyitondera, bakirinda kumenyesha amakuru atariyo.

Ico gikorwa bakakirangura mu bwitonzi n'ubutungane kugirango igihugu c'Imana kimenyeshwe amakuru nyayo atari ayava mu mpengamiro y'abisi.

Akandi karanga iyo nama yisangije, abayitavye bicaye ku mirwi mirwi,



*Abaje muri iyo nama bicaye ku mirwi mirwi*

abasangiye umurwi bakicarana ku muzingi bose babonana.

Nk'uko Karadinale Jean Claude Hollerich ajejwe gushikiriza ivyavuye muri iyo nama abivuga, ubwo buryo bwo kwicara ku muzingi buzotuma haba uguhanahana ivyiyumviro gusumba uko bahora bicara bivanye n'ubusumbasumbane bwabagize inama.

Ukwo kwicara gurtyo kandi bigaragaza ko ata muntu ayoboye iyo nama, ariko ari Mutima Mweranda wenyene ayiyoboye. Bigatuma bivanye n'uko bugururiye imitima yabo Mutima Mweranda batera iteka umuhamagaro baronse wo kuba muri iyo nama.

Akandi karanga iyo nama yisangije kaboneker a mu kibanza bahaye abapfasoni n'urwaruka. Abapfasoni 54 batumiwe muri iyo nama bakanaronka ubwa mbere uruhusha rwo gutora.

***Iyo nama nsangizangendo izoshimikira kuki?***

Inama nsangizagendo ni ico Ekleziya itegerezwa kuba : igihugu c'Imana gitambukira hamwe kiri kumwe na Yezu Kristu, kimurikiwe na Mutima Mweranda, aho ingabirano zumwe wese zakirwa n'abandi ku neza ya bose.

Abari muri iyo nama rero bazorabira hamwe ingene Ekleziya itambuka igana **Isangiramutima** ngo bashikire ihangiro ryayo **ry'Ubutumwa** bwo gushikiriza Inkuru Nziza bahamagariwe kurangurira hamwe, bafashijwe **n'Ukwitang**a k'umwe umwe mu bagize umubiri umwe w'akayobera wa Yezu Kristu.

Uko gutambukira hamwe dukurikira Yezu Kristu nikwo kugize kandi kukerekana ico Ekleziya iri nk'igihugu c'Imana kiri ku rugendo rumenyesha Imana.

***Biracaza***

***MSV Ndikumana Marie Goreth***

# CVR - Burundi: Intwari zimwe zimwe zitangiye Uburundi

Bimwe mu vyatohojwe n'umurwi CVR ujejwe kumenya ukuri ku vyabaye mu Burundi no gufasha abarundi kurekuriranira no gusubiza hamwe, harimwo abarundi b'umutima bitangiye igihugu mu buryo butandukanye. Bamwe baremeye barapfa, abandi barankwa canke baratakaza uburusho butandukanye boronse iyo bemera kuba ba nsumirinda.

Abaza kw'isonga muri abo barundi bazirikanye igihugu cabo ko kadasubirizwa ni Abadasigana ba Mwezi gisabo aribo Ntwaramiheto z'umwami. Baragwaniye igihugu ku muzo w'Abadagi kuva mu 1896 gushika mu 1903. Abatari bake muri abo barundi baremeye barapfa kuko bahangana n'abazungu baje bitwaje ibigwanisho bicira umuriro nabo bagwanisha imiheto n'amacumu.

Abatware Bikari na Rumonge, ngo bagandaguwe n'abakoroni b'abadagi babagiriza ko bishe abamisiyonari mu 1902. Abo batware bari abo mu Rumonge.

Bihome, umunyamuramvya w'i Kiganda yiguze umwami Mwezi Gisabo ngo ntagwe mu minwe y'abadagi mu 1903 i gihe bariko bararondera umwami ngo bamwemeze ku nguvu amasezerano yo gucura bufuni na buhoro abarundi.



*Petero Claver Ndayicariye arongoye umurwi CVR kuva mu 2018.*

Bihome amaze kubona umwami ariko arahunga kandi abansi bamaze kumusagiriza, ngo yasavye umwami ngo amuhe inyambarabami ziwe nawe abandanye ayanyaga.

Kuko abo bazungu batari bazi neza na neza umwami Mwezi Gisabo, bamaze gushika aho yaciye bakabona umugabo yambaye inyambarabami, bashotse bamwica bibazako bishe Mwezi Gisabo. Ariko ntiyari we, yari Bihome. Gurtyo umwami aba arakize.

Mu ntibagirwa zarwaniye Uburundi, hari uwitwa Kanyarufunzo ngo mu 1922 yagwanije abakoroni b'ababirigi hamwe n'abatware b'abomekerano bagomba kugamburukira abakoroni gusumba uko bagamburukira umwami n'abatware.

Umukenyezi yitwa Inamujandi Mucacuzi yagwanije intwaro y'ababirigi hamwe n'abatware b'abomekerano mu 1934 mu turere twa Bukinanyana, i Zina, Rutara n'ahandi. Uwitwa Rubengebenge nawe ngo yamiriye kure intwaro y'ababirigi mu 1921 mu micungararo y'i Kanyinya mu ntara ya Kirundo.

Inamuvyeyi Nyavyinshi yagandaguriwe mu Rugari muri Muyinga mu 1938, ahorwa ko ariko arahabuza agateka k'abarundi mu gihe hariko hubakwa isengero Katorika yo mu Rugari. Pascal Bawuda mu 1944 yahamagariye Abarundi bo mu bumanuko bushira ubuseruko ku rubibe rwa Rutana na Ruyigi kwikurako intwaro y'abazungu.

Hariho n'abandi barundi batari bake bitanze muri kahisek'Uburundi ngo igihugu kigumane iteka n'itekane. Abo umurwi CVR washoboye kumenya bose baranditse.

**Intwaro ya Cami yarangiye gute mu Burundi?**

Michel Micombero, ni umukuru w'igihugu wa mbere w'Uburundi. Yafashe igihugu abanje gutembagaza intwaro ya Cami. Mu cegeranyo c'ibiriko biratohozwa n'umurwi CVR, iyo ndongozi y'Uburundi iragaruka akatari gake kandi ikavugwa nabi.

Inyuma y'uko Umwami Mwambutsa Bangiricenge ahunze igihugu kuko ahatswe gukurwa ku ngoma y'Ubwami Imana igakinga mw'ijoro ryo ku wa 19 rishira uwa 20 Gitugutu 1965, Michel Micombero ngo yacihe ahenda umuganwa Ndizeye Charles ngo akombore se wiwe, aca ahindura n'ibwirizwa Nshingiro.

Gurtyo Charles Ndizeye aba umwami w'Uburundi kw'izina rya Ntare wa 5. Niwe yabaye umwami wa Nyuma. Hari mu 1966. Budakeye na kabiri, Kapitene Michel Micombero yaciye akombora Charles Ndizeye aca aranafuta intwaro ya cami yari imaze imyaka 400.

Umwami Mwambutsa Bangiricege yaciye aguma aturatura hanze y'igihugu. Ntare wa 5 nawe arata arahunga, yerekeza mu gihugu c'Ubuganda. Kuva uwo mwaka w'1966 gushika mu 1971, haguma ibihuha n'uruhagarara rw'urutavanako, abantu bakicwa abandi bakangara.

Mu 1972, MichelMicombero yagiye inama na mugenziwe w'Ubuganda Idi Yamin Dada batahukana Ntare wa 5 hakoreshejwe ibinyoma n'uruyeri rwinshi. Uwo mwami yapfuye guhonyoza ikirenge mu Burundi ku wa 30 Ntwarante 1972 haca hatangura imyiyerekano yo kumutsyoza ngo yaraje guhungabanya igihugu abifashijwemwo n'abansi b'igihugu bari hanze.

Baciye bamujana kumupfungira icamaso mu gikoni c'icahoze ari ikirimba ca Se wiwe i Gitega. Ku wa 29 Ndamukiza 1972, ngo yakuwe aho mu gikoni ajanwa kwicirwa mw'ikambi ya gikomando i Gitega. Ico gihe yatwarwa na Komanda Sinduhije Jérôme. Amaze kuraswa, ngo yashizwe mu nkorofani, arazwa mu nzu y'ububiko bw'ibirwanisho muri iyo kambi, hanyuma bukeye ajanwa gutabwa mu kinogo rusangi i Tankoma muri komine gitega.

Bukeye yaraye yishwe, Reta ya Micombero ngo yazindutse iratangazako Ntare wa 5 yarasiwe mu gitero yararongoye co guhungabanya igihugu.

***Mélance Ndayikeze***

# Kuva 2025, Intara ya Gitega izoba igizwe n'amakomine 9

Intara ya **Gitega** ifise umugwa mukuru Gitega, igizwe n'amakomine 9 n'amazone 101. Ayo makomine ni Bugendana, Gishubi, Gitega, Karusi, Kiganda, Muramvya, Mwaro, Nyabihanga, Shombo.

*1. Komine Bugendana, umugwa mukuru wa komine ni Bugendana, igizwe n'amazone 7. Nayo ni:*

-Zone Bitari igizwe n'imitumba 7: Bitare, Carire, Gaterama, Gitongo, Kibasi, Kibungo, Runyeri.

- Zone Bugendana igizwe n'imitumba 7: Cishwa, Jenda, Mugitega, Mukoro, Mwurire, Nkanda, Rwingiri.

- Zone Gitongo igizwe n'imitumba 7: Gitongo, Masango, Muririmbo, Muyange, Muzenga, Mwumba, Nkongwe.

- Zone Mugera igizwe n'imitumba 4: Gitora, Mirama, Nyamagana, Rushanga.




- Zone Mutaho igizwe n'imitumba 7: Bigera, Mushikamwa, Mutaho, Nyabisaka, Nyangungu, Kartiye Bigera, Kartiye Kigwati.

- Zone Mutoyi igizwe n'imitumba 4: Mutoyi, Kivuvu, Nyagisenyi, Nyakeru.

- Zone Rwisabi igizwe n'imitumba 7: Gerangabo, Kidasha, Kinyinya, Kivoga, Ngoma, Nzove, Rurengera.

Yose hamwe ni imitumba 41 n'amakartiye 2 bigize amazone 7 ya Komine Bugendana y'Intara ya Gitega.

2. Komine **Gishubi**, umugwa mukuru wa komine ni Gishubi, igizwe n'amazone 15. Nayo ni :

- Zone Bukirasazi igizwe n'imitumba 7: Bukirasazi, Migano, Mpingwe, Nyambuye, Rugoma, Rwinyana, Shaya.

- Zone Buhoro igizwe n'imitumba 6: Bihomvora, Bikingi, Bukoro, Jurwe, Masare, Muhororo

- Zone Buraza igizwe n'imitumba 7: Bubaji, Buraza, Buriza, Gicumbi, Kabumbe, Musebeyi, Ndava.

- Zone Butezi igizwe n'imitumba 4: Butemba, Butezi, Muyange, Ndago.

- Zone Gishubi igizwe n'imitumba 8: Bukwavu, Gishubi, Mugozi, Muhuzu, Munyinya, Nyakigina, Remera, Ruhande.

- Zone Kavumu igizwe n'imitumba 7: Kibagara, Kibaya, Kinyonzo, Mahonda, Murama, Nyakarambo, Nyamugari.

- Zone Kibere igizwe n'imitumba 5: Bunyuka, Kibere, Nyamisure, Rugabano, Rukoki.

- Zone Kibuye igizwe n'imitumba 6: Buhanda, Gasongati, Kibuye, Ruhinda, Ruvumu, Tema.

- Zone Mahonda igizwe n'imitumba 8: Bitate, Bugega, Gisura, Gitaramuka, Mahonda, Maza, Mugano, Rweza.

-Zone Mugaruro igizwe n'imitumba 10: Bucana, Gatare, Gatoze, Kejari Mikore, Mugaruro, Muhagaze, Mujejuru, Rukina, Rwitamba.

- Zone Murambi igizwe n'imitumba 4: Gahembe, Gatwaro, Gitaramuka, Murambi.

- Zone Nyabiraba igizwe n'imitumba 7: Cimba, Kayogoro, Murangara, Murehe, Ntunda, Nyamutobo, Yanza.

- Zone Nyabitanga igizwe n'imitumba 9: Gikuka, Kigomera, Kigufi, Musenga, Ndago, Nyakinazi, Nyamirama, Nyamugari, Rurimbi.

# Tangara yo mu Ntara ya Butanyerera izoba igizwe n'amakomine 13

*8. Komine Tangara, umugwa mukuru wa komine ni Musenyi, igizwe n'amazone 13. Nayo ni :*

- Zone Gasezerwa igizwe n'imitumba 6: Cumba, Gitaramuka, Mwika, Nkanda, Nyankurazo, Nyarugati.

- Zone Gashikanwa igizwe n'imitumba 6: Cihonda, Gashikanwa, Kivumu, Maruri, Nini, Rwizingwe.
- Zone Gatabo igizwe n'imitumba 6: Buhoro, Butaganda, Gitanga, Musumba, Ruhengeri, Sigi.
- Zone Kabuye igizwe n'imitumba 9: Buganuka, Kabuye, Mubira, Mukoni, Mutobo, Nyakibingo, Nyamugari, Rimiro, Ruyaga.
- Zone Kananira igizwe n'imitumba 6: Kamira, Kananira, Muramba, Rugabo, Runini, Ruyogoro.

- Zone Mubanga igizwe n'imitumba 6: Gitwenzi, Kimerajana, Mihigo, Mubanga, Muhama, Ntiba.

- Zone Musenyi igizwe n'imitumba 10: Bomba, Gitwa, Mafu, Mirango, Mugirampeke, Musakazi, Musenyi, Nyagasebeyi, Rushoka, Ruyaga.

- Zone Ngoma igizwe n'imitumba 5: Butaha, Gatukuza, Kabamba, Ngoma, Rutanga.

- Zone Nyagatovu igizwe n'imitumba 6: Butezi, Gikongo, Kibande, Mashitsi, Nyagatovu, Rukongwa.

- Zone Remera igizwe n'imitumba 6: Gatare, Mafuro, Remera, Rusengo, Rutambwe, Sabunda.

- Zone Ruhororo igizwe n'imitumba 9: Bucamihigo, Buniha, Cagura, Gitamo, Gitanga, Gitaramuka, Kagoma, Kinyami, Rwamiko.

- Zone Taba igizwe n'imitumba 7: Banda, Gitugwe, Kobero, Nkoto, Nyarunazi, Nyinya, Nyarunyinya.

- Zone tangara igizwe n'imitumba 9: Bwitoi, Gasekanya, Gisura, Kigomero, Kiruhura, Mbasi, Nyando, Ngendo, Nyakabanda.

Yose hamwe ni imitumba 91 igize amazone 13 ya Komine Tangara y'intara ya Butanyerera.

***Biracaza***

*Ingingo N°1/05, yo ku wa 16 Ntwarante 2023, ishinga intara, amakomine, amazone n'imitumba canke amakartiye mashasha agiye kugira igihugu c'Uburundi, kuva mu mwaka w'2025.*

# Uburenganzira bw'umuntu bwo kwubahirizwa mw'itunganywa ry'ubuzima bwiwe

Uburenganzira bw'umuntu bwo kwubahirizwa mw'itunganywa ry'ubuzima bwiwe, ni uburenganzira buhabwa zina kiremwa muntu, mu buzima bwiwe bwa misi yose, mu vyiwe no mu biwe. Ubwo burenganzira tubuhabwa n'amategeko atandukanye, yaba amategeko mpuzamakungu ndetse n'aamategeko y'Uburundi.

Nta na kimwe gishobora gutuma kiremwa muntu yakwa uburenganzira bwo kwubahirizwa mw'itunganywa ry'ubuzima bwiwe.

*1. Ingene amategeko mpuzamakungu yubahiriza uburenganzira bw'umuntu bwo kwubahirizwa mw'itunganywa ry'ubuzima bwiwe*

Uburenganzira bw'umuntu bwo kwubahirizwa mw'itunganywa ry'ubuzima bwiwe, ni uburenganzira buranga zina kiremwa muntu wese. Nta n'umwe arekuriwe kwaka ubwo burenganzira kiremwa muntu, canke ngo akore ikintu ico ari co cose kibangamira umwidegemvyo aho abaye, canke mu gufata ingingo yerekeye ubuzima bwiwe.

Ku vyerekeye gushinga umuryango, itangazo mpuzamakungu ry'agateka ka zina muntu, riravuga ko umuhungu n'umukobwa bageze mu bigero, bagahuriza ku ciyumviro ko bokwishingira urwabo, ata wufise uburenganzira bwo kubabuza, bategerezwa kwubahirizwa kuko ni ingingo iraba ubuzima bwabo.

Tubisanga mu gace ka 2 k'ingingo ya 16 kavuga ko abashaka kwabirana bategerezwa kuvyumvikanamwo ubwabo ata gahato.

Iri tangazo mpuzamakungu ry'agateka ka zina muntu, riravuga kandi ku vyerekeye kwubahirizwa mu buzima bw'umuntu ku bijanye n'ivyiyumviro vyiwe hamwe no kwitorera idini.

Tubisanga mu ngingo ya 18 ivuga ko, umuntu wese ashobora kugira ivyiyumviro vyiwe n'ugukurikira idini ashatse, ni ukuvuga ko ashobora kuja mu rindi dini n'ukwemera ibindi, agashobora n'ugukwirikira idini ashimye bivanye n'urugero rwo kwemera kwiwe, ari we nyene canke afadikanije n'abandi, mu kuvyigisha, mu kubigendera icese, mu gusenga no mu gukwirikiza ibijana na vyo.

Ibi turabisanga kandi no mu gace ka mbere k'ingingo ya 18 y'amasezerano mpuzamakungu mu vy'uburenganzira bw'abantu mu kwitunganiriza ivyabo no mu vyerekeye intwaro.

Agace ka kane k'iyi ngingo ya 18 kavuga ko ibihugu vyegwa n'a-yo masezerano, vyemera kwubaha umwidegemvyo w'abavyeyi n'abemewe n'amategeko ko ari bo bajejwe indero y'abana, mu kwitorera indero abana babo bahabwa mu vy'amadini canke mu vy'ubuntu.

Izi ngingo duhejeje kurabira hamwe ziri muri aya masezerano mpuzamakungu, zirerekana neza ko zafashwe mu ntumbero yo kwubahiriza uburenganzira bwo kwubahirizwa mu buzima bwa zina kiremwa muntu wese.

*2. Ingene amategeko y'Uburundi yubahiriza uburenganzira bw'umuntu bwo kwubahirizwa mw'itunganywa ry'ubuzima bwiwe.*

Uburenganzira bw'umuntu bwo kwubahirizwa mw'itunganywa ry'ubuzima bwiwe, ni uburenganzira buranga zina kiremwa muntu wese. Butegerezwa kubahirizwa no gukingirwa n'amategeko, umuntu agaheza agatekanirwa mu ngingo yifatira zerekeye ubuzima canke umuryango wiwe.

Iyo igihugu gishize umukono ku masezerano ayo ari yo yose, yaba mpuzamakungu canke mpuzakarere, ciyemeza gukora uko gishoboye kwose kugira ngo kiyubahirize.

Ni co gituma ibiri mu masezerano igihugu cashizeko umukono bica bishirwa mu mategeko yaco, uhereye kw'ibwirizwa shingiro ari ryo bwirizwa rikuru mu yandi yose, hamwe no mu yandi ma bwirizwa n'amategeko atandukanye igihugu kigendera ko.

Ibwirizwa Shingiro ry'Uburundi, rirerekana ingene umusore n'umwigeme bageze mu bigero, bubahirizwa mu gihe biyumvikaniye ngo bubakane.

Tubisanga mu ngingo ya 29 ivuga ko, uburenganzira bwo kwabirana hamwe no kwitorera uwo mwabirana bwubahirizwa co kimwe. Iyi ngingo ibandanya ivuga ko ababirana ari bo bategerezwa kuvyiyemerera ubwabo ata gahato.

Iyi ngingo irerekana ko umugambi wo gushinga umuryango ari umugambi w'abantu babiri, ni ingingo bifatira biciye mu mwumvikano, abafashe iyo ngingo bategerezwa kwubahirizwa kuko ni ingingo yerekeye ubuzima bwabo biyumvikaniye, nta gaha-to kajamwo.

Ibi turabisanga kandi no mu ngingo ya 87 y'igitabu c'amategeko agenga ingo n'abantu mu Burundi ivuga ko, ukwabirana ari ibanga rifatanya umugabo n'umugore bavyishakiye kandi bakabicisha mu mategeko.

Ingingo ya 43 y'Ibwirizwa Shingiro, iravuga mu gace ka mbere ko ata muntu arekuriwe kwisuka mu biraba ubuzi-

Ibikur. urup. 11

# Uburenganzira bw'umuntu bwo kwubahirizwa mw'itunganywa ry'ubuzima bwiwe

*(Bitangurira ku rup.10)*

ma bw'uwundi, mu rugo rwiwe, mu vyiwe n'abiwe, mu makete yanditse n'ayo yandikiwe canke ngo akurweko agateka. Abarundi barayamaze bati ahari abantu hama urunturuntu, kandi ngo ntazibana zidakubitana amahembe.

Birashika uburenganzira bwo kwubahirizwa mu buzima bw'umuntu ntibwubahirizwe, ari na co gituma igitabu c'amategeko mpanavyaha c'Uburundi, categekanije ibihano biheza bigahabwa uwo wese yagiriwe n'icaha co kutubahiriza ubwo burenga-nzira.

Ayo mategeko yashizweho mu ntumbero yo kwereka abenegihugu ko bategerezwa kwubahana, umwenegihugu akabaho mu mwidegemvyo ku vyerekeye itunganywa ry'ubuzima bwiwe, mu gihe ingingo yifatira canke afatira umuryango wiwe, ataco zonona mu buzima canke mu mutekano w'igihugu. Tubisanga mu ngingo y'259 hamwe no mu ngingo y'260.

Ingingo ya 259 ivuga ko, uwo wese yinjiye mu nzu y'umuntu ata ruhusha, abanje gutera ubwoba ababahaba canke akoresheje inguvu, ahanishwa umunyororo uva ku misi 8 gu-shika ku myaka 2, agatangishwa n'ihadabu riva ku mafaranga ibihumbi 10 gushika ku bihumbi 100.



Ingingo y'260 na yo ivuga ko uwinjiye ku nguvu mu nzu, mu buraro, mu cumba c'umuntu, canke mu tundi tuzu dufatanye n'ubwo buraro, ahanishwa umunyororo uva ku misi 8 gushika ku kwezi kumwe, n'ihadabu ry'amafaranga ibihumbi 30, canke igihano kimwe muri ivyo.

Twomenya kandi ko, mu gihe ukwabirana bibaye hakoreshejwe inguvu kubera inyungu z'umuntu, uwukora mu biro bijejwe inzandiko yemeye kubaraganisha arahanwa. Tubisanga mu ngingo y'377 y'igitabu c'amategeko mpanavyaha.

Iyo ngingo ivuga ko uwo wese araganishije abantu atabanje kubabaza ko bavyiyemereye bo nyene, hanyuma bikagaragara ko habayemwo igiturire canke kwiyorobeka kubera inyungu uyu canke uriya ashobora kuronka mu gihe uko kwabirana kubaye, ahanishwa umunyororo uva ku misi 8 gushika ku kwezi kumwe, agatangishwa n'ihadabu riva ku mafaranga ibihumbi 10 gushika ku mafaranga ibihumbi 50.

Ingingo y'426 nayo, ihana uwo wese abaye intambamyi mw'iyubahirizwa ry'ubuzima bw'umuntu mu vyerekeye kwitorera idini asengeramwo.

Iyo ngingo ivuga ko uwo wese akoresheje igikenye canke ubundi buryo bwose bunyuranye n'amate-geko mu kubuza abantu gukurikira idini bashatse, ahanishwa umunyororo uva ku mezi 6 gushika ku myaka 2, agatangishwa n'ihadabu ry'amafaranga ibihumbi 50, canke igihano kimwe muri ivyo.

Mugusozera, twomenya y'uko uburenganzira bw'umuntu bwo kwubahirizwa mw'itunganywa ry'ubuzima bwiwe, butegerezwa kwubahirizwa kuri kiremwa muntu wese, atagucagura na kumwe gufatiye ku rukoba, idini, ivyiyumviro canke ikindi ico ari co cose.

Umuntu wese ategerezwa kwubahirizwa ku vyerekeye ingingo zose yifatira zerekeye ubuzima bwiwe canke ubwo umuryango wiwe, aho abaye ndetse n'aho agendera, igihe ataco zononye mu vyerekeye umubano n'umutekano wa bagenziwe, n'umutekano w'Igihugu.

***Ikigo ca leta kijejwe guteza imbere agateka ka zina muntu no gukinga ihonyabwoko «CPDHPG »***




# Bubanza: Amasengero arenga 25 ariko arahezagirwa

Kuva ashinzwe amabanga yo guhagararira Papa muri Diyoseze BUBANZA, Musenyeri Joriji BIZIMANA, ariko arahezagira amasengero abakristu biyubakiye atari bwahezagirwe.

Twibutse ko abakristu bo mumaparuwase yose ku mashure atari make, muri Diyoseze Bubanza, biyubakiye amasengero ateye igomwe cane kandi akomeye, biatabaye uko bagasubiramwo kwubaka neza Altari n'itaberenakulo ku buryo bugezweho kandi bukomeye, ata mfashanyo nimwe bakuye ahandi hantu, uburyo bw'amahera butangwa n'imibano mito mito bataderenganya, bagatanga inguvu n'amaboko canke bakunganirwa n'imvukira zateye imbere ziba zisanzwe zivuka aho hantu, ku buryo ubona ko ahatari hake bategereye ko Ekleziya ari iyabo, ko batakirindiriye imfashanyo ziva hanze kugira ngo biteze imbere.

Ejo bundi kw'igenekerezo rya 22/9/2023 Musenyeri Joriji BIZIMANA asanzwe ahagarariye Papa muri Diyoseze BUBANZA, yari aramutse ahezagira altari n'i Itabernakulo abakristu bo kw'ishure rya BURAMATA ni muri Paruwase ya GIHANGA baherutse kuringaniza neza cane.

Iryo shure rya Buramata risanzwe rikuze, kuko ryatanguranye n'umugambi w'ibigwati (village) wo kubabiligi mu mwaka w'1959 uyu mwaka niho ryubakwa ubwa mbere kw'ibarabara rya kabiri baca barishinga umumenyeshamana Karori NDABIGEZE hamwe n'umujenama Philipo BASHINGWA, mu mwaka w'1965, ryimukiye ku musozi wa Buramata ahitwa kwa Gitamira, ico gihe ryarabwa n'umumenyeshamana BARYIMARE François n'umujenama BUKURU Melchior.

Mu myaka y'1970-1972 niho abapatiri bera Edouard SCHOOF na patiri PAGANERI bubaka iryo shure mu kibanza irimwo ubu ku mutumba wa BURAMATA. Kubera ko isengero yari yubatswe mu buryo bwa Hangar, mu mwaka w'2014, abakristu bayitunganije neza ndetse barayongerako kuko yari yamaze kuba ntoyi.

Kuva iyo shure ishinzwe mu mwaka w'1959, yashinzwe abamenyeshamana bakwirikira: Karori NDABIGEZE, François BARYIMARE, Léopord BIJA, Gaspard GAHUNGU, Vincent NTIBASARIRA, Fidèle MINANI, Pascal NYANDWI, J. de Dieu NIYONKURU, Emmanuel KIGANAHE, Alexis NKORERIMANA na André MIBURO.

Rikaba rimaze kwibaruka abasaserdoti 2: Patiri Zacharie NITUNGA na Patiri Théodore NIMUBONA. Riramaze no kwibaruka abiheyimana 4 ababikira 2 n'abafurera 2. Rifise imihari 8 n'imirwi y'ubutumwa3, hari imirwi y'abaririmbiramana 4. Ishure Buramata rirafise amashure 3 ryavyaye (Rugunga, Kizina n'ishure bita kurya Kabiri), rikaba rifise imibano rukristu 12.

Twongere tumenyeshe ko uyo musi wahuriranye n'irungikwa mu butumwa bwo gusangiza abakristu umubiri wa Kristu abashingantahe 32 bavyiteguriye neza, baje baserukiye amashure 11 asanzwe akukira paruwase Gihanga, Musenyeri akaba yarabatekereye impanuro zihambaye zijanye n'ubwo butumwa.

*Emmanueli HAVYARIMANA*